Itorwa ry'abimukira bahabwa Imfashanyo Rusangi (GA)

## Imfashanyo Rusangi ni iki?

Imfashanyo Rusangi (General Assistance), isanzwe izwi nka GA, iva mubisagara n'imiji, nka Portland na Lewiston, igafasha kuriha inzu, n'ibindi vya nkenerwa shingiro mubuzima nk'ibifungurwa n'imiti.

## Mbega ndashobora kuronka Imfashanyo Rusangi?

Urashobora kuronka GA niwaba udafise amahera akwiye yo kugura ivyankenerwa shingiro KANDI ukaba uri mugihugu mu buryo bwemewe n'amategeko CANKE ukaba uriko urasaba impapuro zo kworoherezwa mubijanye n'ubwimukira.

## Nk'umwimukira, utegerezwa kuba:

- **Uri muri reta Zunze Ubumwe za Amerika vyemewe n'amategeko (bisigura ko ushobora kwemererwa mu gihe ufise viza canke statut y'umuntu yemerewe n'amategeko kuba muri Amerika burundu)**;

CANKE

- Uriko uritegurira gusaba impapuro zo kworoherezwa mu vy'ubwimukira (Kworoherezwa mu vy'ubwimukira bishobora gusigura ubuhungiro canke iyindi nzira yose yo kworoherezwa yemewe n'amategeko)
  - Ibi bisigura ko ushobora kwemererwa igihe umaze kuronka Ikete Rigusaba Kwitaba muri Sentare y'Abimukira kandi ukaba ugira usabe ubuhungiro canke ubundi buryo bwo kworoherezwa mu vy'ubwimukira, n'aho woba utarabisaba. Uzotegerezwa kwuzuza urupapuro rukubaza intambwe umaze kugira canke witeguriye kugira zo gusaba kworoherezwa n'igisata c'Abimukira.

  MENYA NEZA: Ukaba ufise abana bavukiye muri reta Zunze Ubumwe za Amerika, barashobora kwemererwa GA n'aho wewe utoba uyemerewe bivuye kuri statut yawe y'ubwimukira.

## Noronka gute GA?

Uhabwa GA n'ibiro vy'igisagara ubamwo. Uko imisi 30 ihera, utegerezwa gusubira kuri ivyo biro vy'igisagara ukongera ugusaba.

Igihe usubiye gusaba GA, ibiro vy'igisagara bishobora kukumenyesha ivyo utegerezwa gukora imbere yo kuzogaruka gusaba imfashanyo. Ibiro vy'igisagara ntibirekuriwe kuguhatira gusaba ubuhungiro utaritegura neza.

### Mfise ubuhe burenganzira igihe nsaba GA?

- Urafise uburenganzira bwo gusaba GA. Igisagara cose gitegerezwa kuba gifise programme ya GA kandi gitegerezwa kukureka ugasaba. Ibisagara bitegerezwa kuronsa GA abantu bayemerewe.

- Amakuru akwerekeye yose utanga igihe usaba GA ni ibanga.

- Mu igihe usaba, urafise uburenganzira bwo guhabwa umusobanuzi w'indimi. Ntivyemewe ko bagusaba kwizanira umusobanuzi, umugenzi, canke umuntu wo mu muryango agusobanurira.

Ukaba ufise ibibazo bijanye n'ukuntu ufashwe n'ibiro vy'igisagara canke vy'umuji, hamagara Maine Equal Justice.

### Kubibazo vyerekeye programmes za bose, rondera:

Maine Equal Justice (MEJ)
Nomero ya terefone 207-626-7058, wongereko 205, canke uje ku rubuga ngurukanabumenyi
maineequaljustice.org/about-us/contact-us/ kandi uhasige ubutumwa

### Ku bibazo bijanye na statut y'ubwimukira, ushobora kurondera:

Immigrant Legal Advocacy Project (ILAP)
Nomero ya terefone 207-780-1593 canke terefone bahamagara Ku buntu kuri 1-800-497-8505
Addresse e-mail: ilap@ilapmaine.org